Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06
«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a
B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°789 15Ndamukiza 2023

## Uguhimbaza umunsi w'Imana *(Ibikurikira)*

Umunsi w'Imana ni umunsi usumba iyindi yose, kuri uwo munsi umukristu wese ahamagariwe kwibuka urukiza yashikirijwe mw'ibatisimu yamugize umuntu mushasha muri Kristu. « Kuko mwahambanywe nawe mw'ibatisimu, muri we niho mwazuranywe nawe kubera ukwemera mufitiye ububasha bw'Imana yamuzuye mu bapfuye » (Kol 2,12).

Imigirwa y'Ekleziya yerekana ubudasa bw'ibatisimu itanzwe ku munsi w'Imana, mu gutumirira abayo bose guhimbaza ibatisimu, atari mu giteramo ca Pasika honyene, yamara buri munsi w'indwi, aho yibuka izuka ry'Umukama ; yibutsa nuko ibirori vyo gusaba ikigongwe bitangura imbere yo guhereza inkuka y'imisa, eka n'umuhezagiro w'amazi ahezagiye bamija ku bakristu naho nyene imbere y'imisa, aho babigira, vyibutsa ibihe vy'ibatisimu ari navyo ubuzima rukristu bukomokako. Guhimbaza umunsi w'Imana, umunsi wa mbere n'umunsi w'umunani, vyinjiza uwa Kristu mu buzima buzohoraho.

**Umunsi wa Kristu «Umuco » w'isi**

Yustino mweranda, mu kwandikira abapagani, yakoresha ibimenyetso bisanzwe bamenyereye mu kuvuga ngo : « Abakristu bakorana » « umunsi witwa uw'Izuba ».

Ariko ku bemera iyo mvuga yafashe iyindi ntumbero, intumbero yerekeye Inkuru nziza. Yezu ni we Umuco w'isi (Yoh. 1;4-5.9 ; 9,5).

Soma ku Rup. 5

## Imyaka 29 irarangiye Prezida Cyprien Ntaryamira ahitanywe n'isanganya ry'indege i Kanombe mu gihugu c'Urwanda

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*



Kuri uwu wa kane igenekerezo rya 06 Ndamukiza 2023, niho Uburundi bwibuka imyaka 29 ihaciye Umuhisi Nyenicubahiro Prezida Cyprien NTARYAMIRA, kumwe n'abo bari kumwe, bahitanywe n'isanganya ry'indege i Kanombe mu gihugu c'Urwanda.

Ibirori vyo kumwibuka bikaba vyatanguriwe n'igisabisho cavuzwe na Patiri mukuru wa Paruwase wa Cathédrale Regina Mundi i Bujumbura. Nta nkuka y'imisa yaherejwe kubera ko , muri Ekleziya Gatolika , hari mu ndwi nyeranda.

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Urugo rukristu nirumenyeshe Inkuru nziza ya Yezu Kristu........................6
o Intara, amakomine, amazone bishasha mu Burundi................................7
o OMS, Ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho amagara y'abantu rirarumije imyaka 75 rivutse.................................................................................8
o Musenyeri Yohani Ntagwarara yaraye akukurutse...................................9

# Idominika ya kabiri ya Pasika : Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Ibik.Vy'Ab: 2, 42-47*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

*(Abari basangiye ukwemera bari basangiye n'itunga)*

Abigishwa barashishikara cane mu vyo kwigishwa n'abatumwa n'ukugira ubumwe, mu vyo kumanyura umukate no mu gusenga. Umuntu wese yaraterwa ubwoba n'ibitangaro n'ibimenyetso vyinshi vyagirwa n'abatumwa.

Bitayeko abari basangiye ukwemera bari basangiye n'itunga. Baramuka bagurishije ivyo batunze canke ivyimburwa, bakagabura ikiguzi umw'umwe akaronka ivyo akeneye.

Bama mu Ngoro y'Imana imisi n'iyindi, kandi bashize hamwe, bakamanyurira umukate i muhira, bagasangira imfungurwa mu kanyamuneza n'umutima utarimwo agatimatare. Bama baninahaza Imana, kandi bakirwa neza mu gihugu. Vyongeye Umukama yama yongera imisi yose kuri uwo muryango abo bose barokowe.

## Igisomwa ca kabiri:*: Petero: 1, 3-9*

Ivyo dusoma mw'Ikete rya mbere ry'Umutumwa Petero:

*(Imana yarasubiye kuturema kubw'izuka rya Yezu Kristu mu bapfuye ngo turonke ukwizera gukomeye)*

Nihezagirwe Imana Se w'Umukama wacu Yezu Kristu. Ku bw'ubuntu bwayo ntangere, yarasubiriye kutuvyara ku bwa Yezu Kristu yazutse mu bapfuye kugira ngo turonke ukwizera gukomeye, duhabwe intoranwa itabora, itagira inenge, idatituka, mwabikiwe mw'ijuru, mwebwe ububasha bw'Imana bwarindirije kubona urukiza ruzohishurwa mu gihe c'imperuka kubera ukwemera kwanyu.

Ivyo biranezereza naho nyene ubu mukibabazwa n'amakuba atari make, kugira ngo isuzumwa ry'ukwemera kwanyu, kurusha igiciro inzahabu ishira yaciye mu muriro, rize ribatere ishimagizwa, ubuninahazwa n'iteka ku musi w'ihishurwa rya Yezu Kristu. Uwo Yezu muramukunda n'aho mutigeze mumubona, kandi n'ubu n'aho mutaramubona, muramwemera, mukagira akanyamuneza katavugwa kandi kuzuye ubuninahazwa, kuko mutsindiye impera y'ukwemera kwanyu, ari yo rokoka ry'imitima.

## Inkuru nziza : *Yohani : 20, 19– 31*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Ewe Toma, wemeye kuko umbone. Hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Yohani :

*(Iminsi umunani iheze, Yezu araza)*

Ku mugoroba w'uyo munsi, ariwo mu barwa wa mbere mu ndwi, mu nzu yarimwo abigishwa, bari bakinze inzugi kugutinya Abayahudi. Niho rero Yezu yaza, agahagarara hagati muri bo, ababwira ati : «Nimugire amahoro ! » Avuze artyo abereka ibiga-nza vyiwe n'urubavu rwiwe. Abatumwa ngo babone Umukama, barahimbarwa.

Yongera ababwira ati: « Nimugire amahoro ! Kumwe Data yantuma, niko nanje ndabatumye. » Ababwiye ivyo, arabahuha, ati : « Nimuronke Mutima Mweranda, abo muzorekurira ibicumuro, bazoba babirekuriwe, abo muzobigumizako, bizobagumako. »

Aho Yezu yaza, Toma, umwe wo muri bamwe cumi na babiri, ariwe bita Didimo, ntiyari muri bo. Abandi bigishwa bamubwira bati : « Twabonye Umukama. » Abishura ati : « Ntiboneye mu biganza vyiwe intoboro za ya misumari, ngo nshire urutoke mu ntoboro zayo, n'urushi mu rubavu rwiwe, sinzokwemera. »

Iminsi umunani iheze, abigishwa basubira guteranira muri ya nzu, na Toma bari kumwe. Yezu araza, inzugi zugaye, ahagarara hagati muri bo, ati : «Nimugire amahoro. » Hanyuma abwira Toma ati : «Shira urutoke rwawe ngaha : ng'ibi ibiganza vyanje ; zana urushi rwawe kandi rushire mu rubavu rwanje : ureke rero kuba ikigaba, ariko wemere. »

Toma amwishura ati : « Mukama wanje, Mana yanje.» Yezu nawe amusubiza ati : « Ewe Toma, wemeye kuko umbonye : hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona. »

Hari n'ibindi bimenyetso vyinshi bitanditswe muri iki gitabu Yezu yagiriye imbere y'abigishwa biwe. Ivyo rero vyanditswe ngo mwemere ko Yezu ari Kristu Umwana w'Imana, kugira ngo muvyemeye muronke ubuzima kw'izina ryiwe.

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana : *Idominika ya 2 umwaka A*

Bakunzi b'Imana, turabandanya twinovora ivyiza bikomoka kw'izuka rya Yezu Kristu. Mu gisomwa ca mbere twumvise ingene abakristu ba mbere basa na Yezu, bagakora nkawe ibitangaro, bakitwararika abandi mu bikworwa vy'ikigongwe. Benshi bagatamarigwa kubera ivyo vyiza abakristu ba mbere bakora.

Yezu amaze kuzuka, yarabonekeye abatumwa biwe. Ico gihe abatumwa bari bagifise ubwoba kubera abakuru b'abayahudi, bari bishe Umwigisha wabo, bamwagirije ngo yagumuye igihugu. Bari biyugaraniye mu nzu kugutinya ko bahava babamukurikiza; kandi naho Yezu yari yarababuriye izuka ryiwe, ntibari bwategere ngo bemere ko ivyo yari yababwiye ari vyo: ko azozuka ava mu bapfuye.

Ku munsi ukurikira isabato, ku mugoroba, niho yababonekera, biyugaraniye mu nzu, akabaramutsa amahoro. Arabiyeka kugira ntibibaze ko bariko bararota, abereka ibiganza vyiwe birimwo intoboro za ya misumari, n'urubavu rwari rwasogoswe na rya cumu. Ngo bamubone, barahimbarwa. Yezu yaciye abaha ubutumwa, bumwe nyene yari yabateguriye akibigisha.

Ngo aho Yezu yaza, Toma siho yari ari. Bamubwiye ko babonye Umukama, ko yazutse, yaranse kwemera kuko nawe nyene yashaka kumwibonera kugira ashire amazinda. Yezu nawe ntiyatevye kwumvira Toma, kuko haciye iminsi umunani, yasubiye kubonekera abatumwa bari bakoraniye hamwe, na Toma yari kumwe na bo. Yezu ati: " Ewe Toma, shira urutoke rwawe ngaha: ng'ibi ibiganza vyanje; zana urushi rwawe kandi rushire mu rubavu rwanje : ureke rero kuba ikigaba, ariko wemere. »

Toma ntiyarinze gukora ivyo Yezu amubwiye, kuko ivyo yari yabwiwe vyahuriranye n'ivyo wenyene yiboneye, aca aremera, aranapfukama aramusenga, avuga ati: « Mukama wanje, Mana yanje. » Yezu nawe yamubwiye ijambo rikomeye ku wemera wese, ati: « Ewe Toma, wemeye kuko umbonye: hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona. »

Nkako, abiboneye Yezu amaze kuzuka, ni bake, abamwemera batamubonye nibo benshi, kandi Yezu avuga ko ari bo bahiriwe. Ariko si ukuvuga ko umuntu yopfa ivyo yemeye atabanje kuvyiyumvira canke kubitohoza neza. S'uko Toma yari yanse intahe Yezu ashingiwe n'abatumwa biwe, aho bamubwira bati twabonye Umukama Yezu ari muzima. Ahubwo yarondeye gutegera ukuruta kuko turazi ko n'imbere y'uko Yezu apfa, yari yabwiye bagenziwe ati: "Hogi tujane, tumugwe inyuma".

Na twebwe twemera kuko abo bigishwa ba mbere babanye na Yezu, bakagendana nawe kuva abatizwa na Yohani Batista gushika abambwe ku musalaba. Ibimenyetso vyerekana ko Yezu ari muzima, ni ibi twumvise mu gisomwa ca mbere: kwigishwa n'abatumwa n'ukugira ubumwe, ivyo kumanyura umukate no mu gusenga. Umuntu wese yaraterwa ubwoba n'ibitangaro n'ibimenyetso vyinshi vyagirwa n'abatumwa.

Mukama, twongerereze ukwemera twame tugushingira intahe.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Kwigina Pasika nk'umuryango umwe muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura

Ku munsi wa mbere wa Pasika, igenekerezo rya 10 Ndamukiza 2023, Abasaserdoti n'abihebeye Imana bose bari kumwe n'Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura bakoraniye hamwe ku kiyaga Tanganyika aho bita "SPOT 257" ngo bigine mu kanyamuneza Pasika y'Umukama.

Uyo munsi wari umunsi w'akanyamuneza koko, bamwe bagatamba batariko, abandi bakinezereza mu kugutembera mu bwato baja mu kiyaga, baririmba, bongera bavyina intsinzi ya Pasika. Abandi bagakina n'umupira w'amaboko canke w'amaguru ku musenyi. Eka, umwe wese akidagadura uko avyumva.



Uyo munsi wari kandi umunsi wo kumenyana nk'abagize umuryango umwe wa Diyoseze, aho iparuwase imw'imwe yakoranira iruhande y'Umwepiskopi.

Mu majambo yashikirijwe uyo munsi, Musenyeri Anatole Ruberinyange, Icariho gikuru c'Umwepiskopi yaribukije aho ico ciyumviro co gusangirira hamwe akanyamuneza ka Pasika cazananye.

***Ibik. urup.12***

# Imyaka 29 irarangiye Prezida Cyprien Ntaryamira ahitanywe n'isanganya ry'indege i Kanombe mu gihugu c'Urwanda

Urwo rubanza rukaba rwitabwe na benyenicubahiro batandukanye ba Reta y'Uburundi, uhereye k'uwuyirongoye Umukuru w'Igihugu kumwe n'umutambukanyi wiwe, abashikiranganji, abashingamateka n'abakenguzamateka, abaserukira ibihugu vyabo n'imiryango n'inctu n'abagenzi b'abo bahisi.



Inyuma y'ico gisabisho cavugiywe ku ntatemwa y'uwo muhisi iri hagati mu gisagara ca Bujumbura, aho benshi batazira kwa Ndadaye, hakurikiye kwumviriza ijambo Prezida Cyprien Ntaramira yashikirije aho yashikira ubutegetsi mu mwaka w'1994. Iryo jambo rikaba ryari rishimikiye ku ndero (discipline) mu bisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu.

Ati: «Disipline mu kazi, disipline mu mashure, disipline gisoda.

Ivyo birori vyasozerewe n'ishirwa ry'ingori z'amashurwe ku ntatemwa ya Nyenicubahiro Cyprien Ntaryamira hamwe n'abo bari kumwe, uhereye ku mukuru w'igihugu n'umutambukanyi wiwe, abaryango b'abahisi, abaserukiye ibihugu vyabo n'abaserukiye imigambwe.

### Ubuzima bwa Cyprien Ntaryamira hamwe n'ivyaranze ukubaho kwiwe

Cyprien Ntaryamira yavutse igenekerezo rya 6 Ntwarante umwaka w'1954 ku musozi Gitwe, zone Mageyo, komine Mubimbi, intara ya Bujumbura rural.

Amashure mato mato yayize mu Rushubi, gushika mu mwaka w'1968, aca aja kubandaniriza ayisumbura kw'ishure bitirira irya Mutima Mweranda.



*Prezida Prezida Cyprien Ntaryamira na mugenziwe Prezida Juvénal Habyarimana, abahitanywe n'impanuka y'indege*

Mu mwaka w'1972, yarahungiye mu gihugu kibanyi c'Urwanda, aho yaciye abandaniriza amashure yisumbuye n'aya kaminuza, kuva mu 1973 gushika mu 1976 yaronse urupapuro rw'impamyabushobozi mu bushakashatsi mu mwaka w'1979 n'urupapuro rw'umutsindo nk'umuhinga w'indimo mu mwaka w'1982. Aho hari mri Kaminuza y'igihugu i Butare mu Rwanda.

Mu kwezi kwa Ntwarante umwaka w'1983, yaratahutse mu Burundi.

Ni muri uwo mwanya nyene baca bashinga mu kinyegero umugambwe Sahwanya FRODEBU, utangujwe ahanini na Cyprien Ntaryamira, Melchiol Ndadaye, hamwe na Leonarudo Nyangoma, mu kwezi kwa Myandagaro umwaka w'1986.

Inyuma yo kuba umuyobozi mukuru w'uburimyi n'ubworozi kuva muri Kigarama 1987, Cyprien Ntaryamira yagizwe umushikiranganji w'uburimyi n'ubworozi muri Mukakaro 1993 ku ntwaro ya Melchior Ndadaye, umukuru w'igihugu wa mbere yitorewe n'abanyagihugu.

Inyuma y'igandagurwa rya Melchior Ndadaye mu mwaka w'1993, Cyprien Ntaryamira akaba yaciye agenwa kurongora igihugu c'Uburundi, kuva kuwa 5 Ruhuhuma 1994.

Prezida Cyprien Ntaryamira yitavye Imana ahitanywe n'isanganya ry'indege i Kanombe i Kigali mu gihugu c'Urwanda, kw'igenekerezo rya 06 Ndamukiza mu 1994 ari kumwe na mugenziwe Prezida Juvenal Havyarimana w'igihugu c'Urwanda, kumwe n'abashikiranganji biwe babiri Bernard Ciza yari Umushikiranganji w'iterambere ry'amakomine, na Cyriaque SIMBIZI, Umushikiranganji yari ajejwe ivyo kumenyesha amakuru.

Yari avuye i Arusha muri Tanzaniya, kubonana na bagenziwe bo mu karere, ku kibazo c'amahoro n'umutekano mu Burundi.

Tubamenyeshe ko Prezida Cyprien Ntaryamira yitavye Imana yari amaze amezi abiri n'umunsi umwe gusa ari Prezida.

Pierre Claver Nahimana, umwe mu bage,ndanye n'Uwo muhisi, ati: «Birakenewe ko Reta y'Uburundi, Reta y'Urwanda n'igihugu c'Ubufaransa, baja hamwe bamenyeshe icatumye iyo sanganya yadutwaye abaprezida».

**Patiri Noël Ntirandekura**

# Uguhimbaza Umunsi w'Imana (Ibikurikira)

(Bitangurira ku rup.1

Ni umunsi utwibutsa izuka. Ni icitabirizo kizokwamaho muri iryo hishurwa ry'ubuninahazwa. Mu gukoranya abayo, uwo munsi, Ekleziya yiroreshako ugutamarirwa kwa Zakariya aho yerekeza amaso kuri Kristu akamumenyesha nk'izuba « riserutse ngo ribonesheréze abaraye mu mwijima no mu gitutu c'urupfu » (Luka 1,78-79). Ekleziya irerekana kandi akanyamuneza kari kuzuye umutama Simeo aho yakira Umwana w'Imana mu maboko yiwe akavuga ati : « Wa Muco uzoboneshereza intara zose » (Luka 2,32).

**UMUNSI TUGABANA MUTIMA**

Umunsi w'umuco, umunsi w'Imana wokwitwa uwerekejwe kuri Mutima ; « umunsi w'umuriro », umuco wa Kristu, nkako ufitaniye isano n"umuriro wa Mutima'.

Ayo mashusho abiri yerekana ico ari co umunsi w'Imana k'umukristu. Mu kubonekera abatumwa ku munsi wa Pasika, Yezu arabahuha, ababwira ati : « Nimuronke Mutima Mweranda, abo muzorekurira ibicumuro bazoba babirekuriwe, abo muzobigumizako nabo, bizobagumaka » (Yohani 20,22-23).

Umuzo wa Mutima ku batumwa, wabaye ingabirano z'Uwazutse ku w'Imana wa Pasika. Iminsi mirongo itanu i-kurikira izuka, hari ku munsi



w'Imana kandi, niho Mutima n'ubukomezi bwinshi vyururukira ku batumwa bari bakoraniye hamwe bari kumwaena Bikara Mariya, yururuka nk'umuyaga uhuhuta kandi mu ndimi z'umuriro. I « Pasika ya buri indwi ica iba ku buryo bwose i « Pentekoti ya buri indwi ».

Muri yo abakristu bibuka mu rweze n'akanyamuneza kenshi uko abatumwaaho bahuriye n'Uwazutse babeshwaho n'impemu za Mutima wiwe… No mu ngorane zose z'ubuzima bw'ubu turimwo, akaranga k'umunsi w'Imana gategerezwa kwama kubahirizwa. Umwanditsi wo mu kinjana ca gatatu atumenyesha ko : muri buri igisagara cose, buri mutumba wose, ko abakristu bohimbaza urudahengeshanya umunsi w'Imana.

Muri iyo ntumbero, ikurikije ibiranga iminsi bisanzwe canke ivy'Ekleziya, Inama nkuru ya Vaticano II, ivyo yemera ni ivyo vyose 'vyubahiriza kandi bizigama iyinga ry'iminsi indwi hamwe n'umunsi w'Imana'. »

**UMUNSI W'EKLEZIYA**

Ikoraniro ry'ukaristiya, Mutima w'umunsi w'Imana

**Uko Uwazutse yimenyesha abiwe**

Ndi kumwe namwe ubutakibavirira gushika ku muhero w'isi (Matayo 28, 20). Iryo yezu yemereye abigishwa biwe rishishikara kwumvikana muri Ekleziya, aho rironkera ugukura k'ubuzima bwaryo n'isoko ry'umwuzurira ry'ivyo twizigiye. Niba umunsi w'Imana ari u-munsi w'izuka, ntutumenyesha gusa ivyabaye, uhimbaza n'Uwazutse yama ari kumwe n'abiwe.

Kugira ngo uko kwamana n'abiwe kumenyekane kandi kubeho nk'uko bikwiye, si vyiza ko abakristu bosenga umwe wese ukwiwe canke ngo bibukire mu gacere k'umw'umwe : urupfu n'izuka vya Kristu . na kare abaronse inema y'Imana mw'ibatisimu, ntibakijijwe umw'umwe wese ukwiwe canke ngo babe banyamwigendako, ariko ibatisimu yabagize ingingo z'umubiri w'akayobera wa Kristu.

Birabereye rero ko bakoranira hamwe ngo berekanire hamwe ka karanga k'Ekleziya : Umuryango, umuryango w'abakoranijwe na Kristu yazutse, We yatanze ubuzima bwiwe kugira ngo akoranirize mu bumwe abana b'Imana bari basanzaye (Yohani 11,52). Babaye 'umwe 'muri Kristu (Abagalati 3,28) kubw'ingabirano baronse.

Ubwo bumwe buboneka bakoraniye hamwe ngo berekane ko bagize abantu bo mu miryango yose, mu bihugu vyose no mu mihingo yose' kandi bavyerekane icese, ishengero rikoranye.

Ikoraniro ry'abigishwa ba Kristu, ribandaniriza mu bihe vyerekana ishusho ry'umuryango wa w'abakristu Luka yerekana ko akarorero mu gitabu c'Ivyakozwe n'abatumwa, aho yandika amenyesha ukwigenza kw'abakristu bambere, ati : « Barashishikara mu vyo kwigishwa n'abatumwa, n'ukugira ubumwe, mu vyo kumanyura umukate n'ugusenga » (Ibikor. 2,42).

***Biracaza***

***Ivyiyumviro bikuru bikuru vyavuye muri «Dies Domini», Inyigisho ya Papa Yohani Paulo wa II***

# Urugo rukristu nirumenyeshe Inkuru nziza ya Yezu Kristu

2. Inyigisho za EKLEZIYA zivuga iki?

Kuva kera na rindi abarongoye Ekleziya bamye bigisha ko urugo rw'abakristu rwagenewe kumenyesha Inkuru nziza ya Kristu. Mu nama nkuru ya Ekleziya yabereye i Vatikano ubugira kabiri bavuga ko ingo z'abakristu zihamagariwe kwerekana akaranga k'Inkuru nziza mu buzima bwazo, mu kugendera ukwemera n'urukundo no mu guhabwa amasakramentu.

Gurtyo abazubatse baba babaye abamisiyonari babushitse mu kibano no mu mpande zose z'ubuzima (Raba Ad Gentes n° 15 na 41 hamwe na Lumen Gentium n°12), Umweranda papa Yohani Paulo wa kabiri, avuga ko nk'uko ukwubaka birengeye abubakanye, ariko urugo rurengeye umugabo n'umugore kuko rwugurukiye ikibano cose.

Atubwira kandi ko urugo rukristu rwakiriye Inkuru nziza ruhindukira rukaba uruyimenyesha. Nico gituma yemeza ko impera n'imperuka z'ukumenyesha Inkuru nziza muri Afrika ari ugukomeza ingo ngo zibe vy'ukuri Ekleziya yo ku ziko. Aho niho hazova ihinduka ry'imibano y'abantu muri Afrika ihinduwe n'Inkuru nziza. (Raba Familiaris Consortio n° 52 na Ecclesia in Africa n° 85).

Umuvyeyi wacu Papa Fransisko nawe avuga ko Ekleziya ari umuryango ugizwe n'ingo ukaremeshwa na ntaryo n'ubuzima bw'ama Ekleziya yo ku ziko (Raba Amoris Latitiae n° 87).

Ingo z'abakristu zifise ubutumwa bw'ukwubaka n'ukuremesha umuryango w'Ekleziya. Abepiskopi bacu batwigisha ko mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza, urugo rw'abakristu rwomera nka kurya kwa Ekleziya. Rukaba ikibanza Inkuru nziza yakirirwamwo kandi igahera aho nyene isagarara.

Mu rugo rero bategereye iryo banga, abarugize bose barigisha Inkuru nziza bakongera bakayishira mu ngiro. (Raba Ukwubaka rukristu, Indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyoseze gatolika y'Uburundi mu nomero ya 80)

Muri make urugo rw'abakristu ni "Ekleziya yo ku ziko" kuko rwamenyeshejwe Yezu Kristu kandi ruhamagariwe kumumenyesha.

III. HOKORWA IKI KUGIRA NGO URUGO RUKRISTURUMENYESHE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU

Twumvise ko urugo rukristu, rufise ubutumwa kwo kumenyensha Inkuru nziza ya Yezu Kristu bihereye mu rugo nyene. Kugira ngo iyo Nkuru nziza imenyekane yongere ishinge imizi vy'ukuri, ni uko abari mu rugo bihatira ubwa mbere kwubakira kuri Yezu Kristu we Rutare rutamenwa.

**Ingo z'abakristu**

Mu ngo zanyu ko mwamenye Yezu Kristu mukongera mukamwemera, ni mumwimike; mumwumvirize mw'Ijambo ry'Imana, mumuhanuze mu gusenga, mumwakire mu guhabwa amasakramentu, mumwigane mu rukundo rwitanga.

Nimubandanye mu mibano rukristu, mu mihari n'imirwi y'ubutumwa kwigisha no kunogereza ryakete-nyigisho «Akanyamuneza k'urukundo» : Dusavye abasaseredoti bose n'ababunganira mu butumwa bigisha umurava no kunoganza inyigisho « Akanayamuneza k'Urukundo » ngo ishikire benshi bashoboka, ingo zibone gukomera mu rukundo.

Ni mugire urunani rw'ingo kugira ngo mukomezanye, muhiganirwe kuba akarorero keza k'izindi ngo, abakomeye baramire ab'intege nke. Ni murondere ingene muhwanira hamwe musangire igisabisho muzirikana Ijambo ry'Imana, muganire ivyereke ingene ingo zibayeho, mubonereho kuja inama y'ingene mufashanya. Ni mufashanye cane cane mu bijanye n'indero y'abana, kuko aho ibintu bigeze, urugo rumwe rwonyene ntavyo rucishoboje.

Mubigize uko muzoba muriko muramenyesha-nya Inkuru nziza biheze binababafashe kwamirira kure inyigisho mbi zihungabanya imico myiza n'ukwemera mu bakuze no mu bato.

Ndasavye nshimitse urugo rukristu rwose, ngo rwifatanye n'izindi ngo mufashanye kurondera ukuri, ubutungane n'amahoro, mushigikirane kugira ntihagire umubanyi n'umwe atotezwa canke ngo arenganywe, kandi muzi ukuri.

Ni muzishire hamwe inguvu zanyu, muheze muhuze abantu bazingamitswe n'urwanko rufatiye ku matati y'amatongo, ku bwoko, ku ntara canke ku migambwe n'ibindi, kandi mubafashe kugira intambwe y'ibiganiro bibashikana ku mwumvikano ata manza zirinze gusasa.

Ziramutse zishashe naho mushigikire ukuri kandi muguhagurukire, mubeshuze icese abantu batoye umwuga mubi w'ikinyoma, kandi babigize ubuhizi, bakama barondera kurenganya n'ugucafuza canke kuremeka inkono ishushe abandi ata yindi nyungu barondera, atari ukunyaga canke ukwaka iteka n'ugucinyiza umuntu gusa.

*Biracaza*

*Ndongozi y'Uburundi*

# Intara, amakomine, amazone bishasha mu Burundi




Kuva mu mwaka wa 2025, Uburundi buzoba bufise intara n'amakomine bishasha. Ivyo bikaba biri mu ngingo N° 1/05 yo kuwa 16 Ntwarante 2023 ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye, bishasha mu Burundi.

Iyo ngingo ivuga ko intara zizoba ari 5, amakomine 42, amazone 451 n'imitumba canke amakartiye 3044.

Izo ntara ni intara ya Buhumuza; intara ya Bujumbura, intara ya Burunga, intara ya Butanyerera, intara ya Gitega,

**1. Intara ya Buhumuza**

Intara ya Buhumuza, umugwa mukuru ukaba ari Cankuzo, izoba igizwe n'amakomine 7 ari yo Butaganza, Butihinda, Cankuzo, Gisagara, Gisuru, Muyinga na Ruyigi

**2. Intara ya Bujumbura**

Intara ya Bujumbura, umugwa mukuru ukaba Bujumbura, izoba igizwe n'amakomine 11 ari yo Bubanza, Bukinanyana, Cibitoke, Isare, Mpanda, Mugere, Mugina, Muhuta, Mukaza, Ntahangwa, Rwibaga.

**3. Intara ya Burunga**

Intara ya Burunga, umugwa mukuru ni Makamba, izoba igizwe n'amakomine 7: Bururi, Makamba, Matana, Musongati, Nyanza, Rumonge na Rutana.

**4. Intara ya Butanyerera**

Intara ya Butanyerera, umugwa mukuru ni Ngozi. Izoba igizwe n'amakomine 8: Busoni, Kayanza, Kiremba, Kirundo, Matongo, Muhanga, Ngozi na Tangara.

**5. Intara ya Gitega**

Intara ya Gitega nayo umugwa mukuru ukaba Gitega. Izoba igizwe n'amakomine 9: Bugendana, Gishubi, Gitega, Karusi, Kiganda, Muramvya, Mwaro, Nyabihanga na Shombo.

Izo ntara zizoba ari nke ugereranije n'ukwo zahora zingana. Zahora ari intara 18 n'amakomine 119.

**Kubera iki Reta y'Uburundi yafashe iyo ngingo ?**

Kubwa Reta y'Uburundi, iyo ngingo ifise intumbero zitandukanye. Reta yifuza kwegereza neza ubutegetsi abanyagihugu, ikifuza kwisunga itunganywa ry'intwaro ry'ibindi bihugu vyo mu karere ka Afrika y'Uburseruko, gushiraho ikomine zishobora kwibeshaho, kugabanya uburyo reta yahora ishira muri izo komine, n'ibindi.

Mu gushinga imbibe nshasha, reta irafise ivyo yisunze. Abahinga baraba ingene ahantu hegeranye canke hari hafi na hafi. Barafatiye kandi ku co ahantu hose hisangije n'icohafasha gutera imbere. Ikindi abahinga bashimikiyeko ni ingene ikomine zishobora kwibeshaho mu vy'ubutunzi n'ukwuzuzanya kw'uturere tugiye hamwe, n'ibindi.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# OMS, Ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho amagara y'abantu rirarumije imyaka 75 rivutse

Ku wa 7 Ndamukiza 2023, ku musi mpuzamakungu wahariwe amagara y'abantu, niho kw'isi yose hahimbazwa isabukuru ry'imyaka 75 iheze ishirahamwe ryitaho amagara y'abantu kw'isi OMS ritanguye icese. Ngaha mu Burundi, iryoshirahamwe ryarumanije imyaka 60 ritanguye ibikorwa vyaryo.

Ku civugo ngo « Amagara meza kuri bose », ibirori vyo guhimbaza iyo sabukuru ngaha mu Burundi vyabereye mu gisagara ca Bujumbura bitewe iteka n'umutambukanyi w'Umukuru w'igihugu Angeline Ndayishimiye ari kumwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu n'abandi banyacubahiro batandukanye. Intambo n'imvyino z'akaranga k'Uburundi, ivyese n'ibicuba bishimagiza ishirahamwe mpuzamakungu OMS kandi vyerekeza ku civugo c'uwo musi ni vyo vyasamirana.

***Imyakaka 60 y'ishirahamwe OMS mu Burundi***

Muganga Sylvie Nzeyimana, umushikiranganji w'amagara y'abantu amenyesha ko muriiyo myaka yose, OMS yashigikiye Uburundi mu migambo yabwo yo guteza imbere igisata c'amagara y'abantu. Igihe cose haba hari ibikorwa Uburundi bukeneye gushigikirwamwo mu gisata c'amagara y'abantu, iryo shiramwe ngo ryamye rishigikira. Aho twovuga nko kurwanya indw ra z'akaranda no gucandaga ibibondo, ibikorwa vyo gukinga mu gihe c'ibiza n'ibindi.

Kubera ubufasha bw'ishirahamwe OMS, impfu z'abana n'abapfasoni bibaruka zaragabanutse cane, impfu zahora zihitana abantu zaragabanutse. Uburorero ni bwinshi. Indwara y'ubukangwe yararandura-nywe n'imizi mu duce twinshi tw'igihugu, umugera wa SIDA ntugisasika inganda nk'uko vyahora, indwara y'igituntu yahagurukiwe bimwe bihagije gushika aho Uburundi bugira ikibanza ciza cane kw'isi nzima.

Ivyo biremezwa kandi n'Umutambukanyi w'Umukuru w'igihugu c'Uburundi. Angeline Ndayishimiye ati : « Kubera gushigikirwa n'ishirahamwe mpuzamakungu OMS, abarundi basigaye baramba gushika ku myaka 61 ku matohoza y'abaye mu 2022, mu gihe imbere y'uko iryo shiramwe mpuzamakungu ritangura mu Burundi mu 1963 abarundi baramba gushika ku myaka 43 gusa muri rusangi ».

Kubwa Angeline Ndayishimiye ngo ivyo vyashobotse kubera ko mu myaka 60 yo gukorana kw'Uburundi na OMS, iryo shiramwe ngo ntiryahengeshanije gushigikira Uburundi haba mu bikorwa vy'ubuhinga, mu bikoresho no mu buryo bw'amahera. Muriiyi myaka iheze naho, OMS ngo yarafashije bimwe vyo gushima mu bihe vy'ibiza vyari gushobora guhitana Abarundi benshi iyo hataba ubufasha bwa OMS. Aho ni nko mu gihe havugwa Ebola, igihe dutewe n'ikiza COVID-19, ibihe vya Cholera n'ibindi.

Mu guhimbaza imyaka 60 ya OMS mu Burundi, ntibibagiye gushimira Muganga Piyo Masumbuko. Mu gihe yari icegera c'umushikiranganji wa mbere akaba n'umushikiranganji w'amagara y'abantu, Piyo Masumbuko niwe yateye igikumu ku masezerano yo gukorera hamwe kw'Uburundi n'ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho amagara y'abantu kw'isi OMS.

Hari ku wa 12 Myandagaro 1963. Mu ntumbero yo kumushimira, umutambukanyi w'umukuru w'igihugu yaramushikirije akaganuka nk'ikimenyetso c'ubukengurutsi ku gikorwa ciza yaranguye muri ico gihe.

Uwuserukira ishirahamwe mpuzamakungu OMS mu Burundi nawe nyene arakenguruka ingene iryo shirahamwe rikorana neza na Reta y'Uburundi hamwe n'abajejwe igisata c'amagara y'abantu mu Burundi.

Nubwo biri uko, Muganga Xavier Crespin aserukira iryo shirahamwe mu Burundi aremeza ko impinga ikiri ndende. Ati : « ku biharuro dufise, ibice 30% vy'abantu bari kw'isi ntibaronka ubufasha bw'ibanze kandi ngombwa ku magara meza y'abantu. Ibice 12% vy'abantu kw'isi nabo baracamarira ivyotunze imiryango mu kwivuza canke mukuvuza ababo bigatuma hari ibindi bintu nkenerwa mu buzima badashobora kuronka nko gufungura neza, kuba ahantu heza, kwigisha abana neza n'ibindi ».

Ngo ivyo nivyo vyerekana koihangiro ry'amagara meza kuri bose rikiri umwitwarariko muri OMS inyuma y'imyaka 75 ribayeho. Xavier Crespin yemereye abarundi n'Uburundi ko ishirahamwe OMS rizoguma rikora uko rishobora kwose kugira ngo igisata c'amagara y'abantu citabweho gusumba, abantu baronke ivyankenerwa vyose bakeneye kandi bagire amagara meza atawusigaye inyuma.

Tubamenyeshe ko mu ntumbero y'urwo rubanza rurimwo zitatu hatunganijwe ibikorwa bitari bike. Aho twovuga nk'urugendo rwatunganijwe n'ubuserukizi bw'ishirahamwe mpuzamakungu OMS mu Burundi rwabaye ku wa mbere Ndamukiza rugasozerwa no gutera ibiti mu ntumbero yo gukingira ibidukikije hamwe n'uruganda ku bamenyeshamakuru rwatunganijwe ku wa 5 Ndamukiza 2023 mu ntumbero yo gusigurira abanditsi n'abamenyeshamakuru intumbero y'ishirahamwe mpuzamakungi OMS ryitaho amagara y'abantu kw'isi.

***Mélance Ndayikeze***

# Musenyeri Yohani Ntagwarara yaraye akukurutse

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 1 Ndamukiza 2023, Intumwa ya Nyenubweranda Papa François Musenyeri Dieudonné DATONOU, yari aramutse agira urugendo rw'ubutumwa muri Diyoseze ya BUBANZA, urwo rugendo rukaba rwabereye mu gisabisho c'Inkuka y'Imisa yabereye muri Katedrali Kristu Mwami y'i BUBANZA, yatanguye igihe c'isaha zitanu.

Abari batumiwe muri iyo Nkuka y'Imisa ni Abasaserdoti bose barangurira ubutumwa muri diyoseze BUBANZA, Abihebeyimana bose, n'abakristu babiri baserukira buri paruwase mu maparuwase 19 agize diyoseze ya BUBANZA.

Ariko nticari cabujije ko isengero ikubita hakazima kubera abakristu benshi bo mu micungararo ya paruwase BUBANZA naho ubutumire butari bwatangajwe icese.

Muri iyo Nkuka y'Imisa Intumwa ya Papa yasomye ikete rya Papa rishiraho uwugiye ku muserukira muri diyoseze ya BUBANZA inyuma yo gutanga imihoho kwa Musenyeri Yohani NTAGWARARA, kubera ashikanye imyaka isabwa kugira ngo Umwepiskopi akukuruke.

Muri make intumwa ya Papa yagize ati : « Nyenubweranda Papa Fransisko yarakiriye ikete rya Musenyeri Yohani NTAGWARARA rimumenyesha ugutanga imihoho kubera imvo y'imyaka. Muti none mugiye kuba impfuvyi ?

Haba namba Umuvyeyi wacu Papa abaye arashikiriza iyi diyoseze Musenyeri Joriji BIZIMANA, asanzwe ari umwepiskopi wa Diyoseze NGOZI, ngo abe aramusekira, ayirongore vy'imfatakibanza (Administrateur apostolique) gushika hagenywe Umwepiskopi mushasha bwite wa diyoseze BUBANZA.

Nyenubweranda Papa Fransisko arashimira cane Nyakwubahwa Musenyeri Yohani NTAGWARARA ku myaka 25 yari amaze arongoye iyi diyoseze, agasaba ko ingabire Imana yamuhaye zobandanya zama ivyamwa vyinshi.

Papa abandanya abemerera kubaguma hafi. Mu gusozera rero ndabahaye igikorwa mwese : gusenga cane mutakamba kugira ngo Imana ibaronse Umwungere mushasha vuba, nkuko Yo nyene ivyipfuza kuko ni Imana itanga kandi igatorera Umwepiskopi igihugu cayo ».

Intumwa ya Papa mu BURUNDI Musenyeri Dieudonné DATONOU arangije iryo jambo yaciye agwa munda Musenyeri Yohani NTAGWARARA, uyu nawe akaba yaciye afata ijambo aho yagize ati:

«Ndagushimiye cane ko washimye kwiyizira wewe nyene kushikiriza inyishu y'ikete nandikiye Nyenubweranda Papa Fransisko haraciye amezi atandatu, ndamumenyesha ko ntanze imihoho kubera imvo y'imyaka.

Kuri jewe rero ni umusi wo gukenguruka, ngakenguruka ku ngabire y'Abasaserdoti, abihayimana n'abakristu b'umutima Imana yari yarampaye ngo dusangire ubutumwa.

Ndakengurukira kandi abakristu bose bakiriye inyigisho zitandukanye nagiye ndabashikiriza, ndakengurukira mbere n'abatashimye kuzakira kumvo zitandukanye.

Dusabire uwo Papa yagenye ngo abe aramuragiriye iki gihugu c'Imana kugira azorangure ubwo butumwa neza. Dusabire n'uwo Papa azogena ngo abarongore azoze yitaho ubusho bw'Umukama.

Mboneyeho gusaba ikigongwe ku vyo ntashitseko nk'Umwepiskopi canke aboba baratsitaye kubera jewe. Ntihagire uwuzoza kunsaba ikigongwe ku gatwe kiwe, aha mwamaze kukironka mwese».

Mu kigumbagumba cinshi yasozereye agira ati:" Bakristu ba BUBANZA, twari twaratanguye umugambi wo kurekuriranira no gusubiza hamwe dushimikiye ku Mana, uyo mugambi murawubandanya".

Mu gusozera intumwa ya Papa mu BURUNDI yarasubiye gufata ijambo agira ati:" Nkengurukiye abategetsi mu ntwaro bakoranye neza na Musenyeri Yohani NTAGWARARA. Ndamusavye nk'umukurambere azotube hafi mu mpanuro, no mubuhamya (témoignage) ahereye kuri jewe n'abakristu bose, nkako Umwepiskopi agumana iryo banga gushika yitavye Imana.

Ibirori vy'indwi nyeranda niwe azobirongora.

Kw'igenekerezo rya 6 Rusama 2023, niho tuzoshikiriza icese Musenyeri Joriji BIZIMANA yagenywe ngo ahagararire iyi Diyoseze.

Mubandanye mutegura neza umusi mukuru wa Yubire ya Musenyeri Yohani NTAGWARARA ata nkomanzi, mubandanye mutanga ubutumire, natwe niho tuzoba twibereye, murakoze cane".

Inkuka ya Misa irangiye, abatumire bose baciye baja kwivuna umusase mu kigo nshingwabutumwa ca diyoseze BUBANZA.

Urugendo rw'intumwa ya Papa mu BURUNDI Musenyeri Dieudonné DATONOU muri diyoseze BUBANZA, rwarangiye igihe c'isaha icenda, abatumire eka mbere n'abakristu bose buzuye akanyamuneza.

***Emmanuel HAVYARIMANA***

# Uburenganzira bwo kugira amagara meza

Zina kiremwa muntu wese arafise uburenganzira bwo kugira amagara meza. Ntaco ashobora kwimarira canke ngo akimarire ab'iwe n'Igihugu adafise amagara meza.

Ni co gituma igihugu gitegerezwa gufata ingingo zose zishoboka kugira abenegihugu baco bakingirwe ico cose coza kiba intambamyi yo kugira amagara meza, iyo bagwaye naho baronke bitagoranye aho bivuriza, hari abaganga babinonosoye kandi hari n'ivya nkenerwa bikwiye.

Uburenganzira bwo kugira amagara meza butegekanijwe n'amategeko mpuzamukungu hamwe n'amategeko yo ku rwego rw'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kugira amagara meza**

Uburenganzira bwo kugira amagara meza ndetse no gukingirwa icoza kiyahungabanya, tubusanga mu mategeko mpuzamakungu atandukanye: itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasererano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama, amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, hamwe n'amasezerano agwanya isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu.

***a. Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu***

Iri tangazo rirekana ivya nkenerwa umuntu ategerezwa kuba afise kugira uburenganzira bwo kugira amagara meza bube bwubahirijwe.

Ingingo ya 25 ivuga ko, "umuntu wese ategerezwa kubaho ku rugero rutuma agira amagara meza n'umuryango wiwe. Kugira ayo magara meza atsimbatare, umuntu ategerezwa kuba atunganiwe mu vyerekeye ingaburo, ivyambarwa, ubuturaro, ukwivuza n'ibindi nkenerwa ku muntu, ategerezwa kubungabungwa mu gihe atagira akazi, arwaye, amugaye, apfakaye,mu gihe atagishobora gukora kubera ubusaza,no mu bindi bihe atagishobora kwitunga bivuye kw' isanganya ryatewe n' akaborerwe ".

***b. Mu masezerano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama***

Kugira ngo ingingo ya 12 y' aya masezerano ivuga ko " zina muntu wese afise uburenganzira bwo kugira amagara meza, ku mubiri no mu mutwe uko abishoboye kwose yubahirizwe, ibihugu vyayasizeko umukono bitegerezwa gufata ingingo zifise ihangiro ryo:

1°kugabanya ibitigiri vy'abana bapfa bakiri mu mbanyi, bariko baravuka canke bakiri bato;

2° kwitwararika isuku ryo ku mubiri, iry' aho baba n' aho bakorera, iry' ivyambarwa, iry' ibifungurwa n' ivyo kunywa, n' ibindi…;

3° gukinga no kugwanya indwara z'ibiza, izandukira, izituruka ku kazi umuntu akora n'ibindi ;

4° gukora ibishoboka kugira umuntu wese mu gihe akitswe n'amagara ashobore kwivuza no gushigikirwa ngo avurwe".

***c. Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana***

Aya masezerano mu biyagize harimwo ibitegerezwa gukorerwa umwana, mu ntumbero yo kubahiriza uburenganzira bwo kugira amagara meza, nko kwitwararika amagara y' umuvyeyi amwibungenze, gukingira umwana indwara n' ubumuga iyo vyoturuka hose.

Tubisanga mu gace ka 1k' ingingo ya 24 kavuga ko " ibihugu vyashize umukono kuri ayo masezerano bitegerezwa guha umwana uburenganzira bwo kugira amagara meza, agashobora kuronka uburyo bwo kwivuza indwara canke ubundi bumuga ", hamwe n' agace ka 2 k' iyi ngingo kavuga ko, " igihugu gitegerezwa gukora uko gishoboye kwose kugira igitigiri c'abana bapfa bakiri inzoya canke bakiri bato kigabanuke ; kwitwararika amagara y'abana cane cane kubakingira kuva bakiri bato ; kurwanya indwara ziterwa no gufungura nabi, gutanga imfungurwa zifise ivyunyunyu vyose umubiri ukeneye n'amazi meza ; gukingira no kuvuza abavyeyi imbere n'inyuma y'ukwibaruka ; kuronsa inyigisho abavyeyi n'abana zerekeye akamaro ko kwonsa umwana, ingene bategura ingaburo ibereye, kugira isuku ry'umubiri n'iry'aho umuntu aba".

Biragaragara ko amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo kugira amagara meza, haba ku bana canke ku bakuze. N'amategeko yo ku rwego rw'igihugu c'Uburundi na yo nyene arategekanya ubwo burenganzira.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kugira amagara meza**

Igihugu c'Uburundi carashize umukono ku masezerano atandukanye yubahiriza uburenganzira bwa zina kiremwa muntu. Bisigura ko ciyemeje gukora ibishoboka vyose kugira kiyubahirize. Ni co gituma ingingo ziri muri ayo masezerano yinjijwe mu mategeko y'igihugu.

Turabire hamwe ingene amategeko y'igihugu c'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kugira amagara meza. Tuza kwisunga ingingo ziri mw'Ibwirizwa Shingiro, mw'ibwirizwa rigenga abakozi ba Reta mu Burundi, mw' ibwirizwa no 1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 ryerekeye akazi mu Burundi, mw' ibwirizwa no 1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020 ryerekeye gukingira abenegihugu mu Burundi, mw' ibwirizwa no 1/07 ryo ku wa 12 ntwarante 2020 rihindura ibwirizwa no 1/012 ryo ku wa 30 rusama 2018, ryerekeye ingene abajejwe amagara y'abantu bategerezwa kwakira no kuvura abenegihugu babitura hamwe no mw'ibwirizwa no 100/187 ryo kuwa 4 ruheshi 1974 rishiraho rikongera rikerekana indinganizo y'urwego rw'abaganga mu Burundi.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kugira amagara meza

(Bitangurira ku rup.10)

***a. Mw' Ibwirizwa shingiro.***

Ibwirizwa Shingiro ry' Uburundi ndetse n' ayandi mabwirizwa arikomoka ko, arerekana ingene uburenganzira bwo kugira amagara meza butegerezwa kwubahirizwa.

Ingingo ya 55 ivuga ko "umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuvurwa".

Mu gushimangira iyi ngingo yo mw'Ibwirizwa shingiro, Reta y'Uburundi yarashizeho ibwirizwa no 1/07 ryo ku wa 12 ntwarante 2020 rihindura ibwirizwa no 1/012 ryo ku wa 30 rusama 2018, ryerekeye ingene abajejwe amagara y'abantu bategerezwa kwakira no kuvura abenegihugu babitura mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kugira amagara meza.

Ingingo ya 17 y'iryo bwirizwa ivuga ko, "intumbero nyamukuru y'igihugu mu vyerekeye amagara y'abenegihugu baco, ari uko gitegerezwa guteza imbere amagara yabo mu gutunganya neza igisata c'ubuvuzi, aho umwenegihugu wese, umwanya wose akitswe n'amagara, ategerezwa kwivuriza atankomanzi " .

Ingingo ya 11 y'iryo bwirizwa nyene ivuga ko, "amavuriro ategerezwa kwakira abenegihugu bayitura, haba ku mutaga canke mw'ijoro, bibaye ngombwa ivuriro rikarungika umurwayi ku rindi ririrusha ubushobozi,ariko ryabanje kugerageza ".

Kubera amagara y'umuntu atari ayo gukinisha, iri bwirizwa rirerekana neza abategerezwa kuvura abantu urugero rw' ubumenyi baba bafise. Tubisanga mu ngingo y' 216 yaryo. Ivuga ko, "ata muntu ashobora gukora umwuga wo kuvura atabifitiye impamyabushobozi, canke ngo abe ari ku rutonde rw'ihuriro ry'abarangura uwo mwuga wo kuvura (ordre des professions paramedicales) ".

Ingingo ya 12 ya rino bwirizwa na yo irerekana inyifato ijanye no kubungabunga ibikoresho baba abarwaye canke ababaherekeza kwivuza, bategerezwa kugira, mu ntumbero y'uko uburenganzira bwo kugira amagara meza bugume bwubahirijwe kubandi bazokwitura iryo vuriro. Ivuga ko," umurwayi ari mu bitaro, uwivuza ataha ndetse n'ababaherekeza, bategerezwa gusonera inyubako ndetse n'ibikoresho vyose vyo kwa muganga. Ibandanya ivuga ko bategerezwa kwirinda gukora ico cose cotuma ibikoresho canke inyubakwa vy'ivuriro vyononekara".

Mu ntumbero yo gutsimbataza uburenganzira bwo kugira amagara meza mu benegihugu, Reta y'Uburundi yarafashe ingingo yo kuvuza ku buntu abana batarakwiza imyaka 5 n'abakenyezi bibungenze.

***b. Mw' ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 23 myandagaro 2006 rigenga abakozi ba Reta mu Burundi***

Mu ntumbero yo kubabungabungira amagara abakozi, kuko bivanye n'umuruho bashobora gukura mu kazi bakora amagara yabo ashobora kubangamirwa, Reta yarashizeho ibwirizwa ryerekana akaruhuko umukozi ategerezwa kuronswa mu mwaka.

Tubisanga mu ngingo ya 52 y' iryo bwirizwa. Ivuga ko " umukozi wa Reta afise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko kangana n'iminsi 25 mu mwaka ".

Iri bwirizwa riirategekanya kandi akaruhuko gategerezwa guhabwa umukenyezi yibungenze. Tubusanga mu ngingo ya 55. Ivuga ko "umukenyezi yibungenze ahabwa akaruhuko. Ako na ko kangana n'indwi cumi na zine (14) zigabuwemwo kabiri: imbere hamwe n'inyuma y'ukwibaruka". Ni mu ntumbero yo kumworohereza kugira ngo amagara y'umwana n'ayiwe bikingirwe, imbere yo kwibaruka n'igihe amaze kwibaruka.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko "mu gihe umukenyezi aheruka kwibaruka atanguye akazi, ahabwa amasaha 2 ku munsi yo kwonsa umwana mu kiringo c'amezi atandatu hamwe n'ikiringo c'isaha 1 ku munsi mu mezi atandatu akurikira". Ni muri ya ntumbero nyene yo guteza imbere amagara y'ikibondo, kuko kwonsa umwana bikwiye, bituma agira amagara meza.

***c. Mw' ibwirizwa no 1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 ryerekeye akazi mu Burundi***

Iri bwirizwa na ryo rirerekana ko amagara y' umukozi ategerezwa gukingirwa mu gihe ari ku kazi.Tubisanga mu ngingo ya 30.

Ikindi twomenya ni uko uwo wese ataranguye neza umwuga wiwe wo kuvura umurwayi wese amwituye, urwego rukuru rw'abakora umwuga wo kuvura (Conseil de l'Ordre des Medecins) ruramugabisha, atihanuye rukamuhanisha guhagarikwa ikiringo c'umwaka, vyanse gose ko yisubirako agahagarikwa burundu mu mwuga wo kuvura. Tubisanga mu ngingo ya 22 y'ibwirizwa no 100/187 ryo kuwa 4 ruheshi 1974 rishiraho rikongera rikerekana indinganizo y'urwego rw'abaganga mu Burundi.

***d. Mw' ibwirizwa no 1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020 ryerekeye gukingira abenegihugu mu Burundi***

Agace ka kabiri k' ingingo ya 5, kavuga ko umuntu agwaye, yapfakaye canke yabaye ikimuga ategerezwa gukingirwa.

Mu gusozera, twobamenyesha ko n' aho Reta ari yo ifise uruhara runini mu gutsimbataza uburenganzira bwo kugira amagara meza ku benegihugu mu kwubaka amavuriro, kurondera ibikoresho vya nkenerwa no gushiraho abanonosoye ibijanye no kubungabunga amagara y' abantu, n' abenegihugu dutegerezwa kugira uruhara mu kubungabunga izo nyubakwa hamwe n' ivyo bikoresho, kuko ni inyubakwa rusangi.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Kwigana Pasika nk'umuryango umwe muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura

(Bitangurira ku rup.1

Ati: "Nyenicubahiro Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze niwe yasavye ko yipfuza gusangira pasika n'abasaserdoti n'abihebeye Imana bose bo muri iyo Diyoseze. Yaradutumye natwe turagamburuka baragamburutse, harashingwa umugwi waciye utunganya ivy'integuro y'uru rubanza. None rero, nimushike, mwisange, muhimbarwe, eka twiginane turi kumwe n'Umwungere wacu, dusagwe n'ivyiza vya Pasika."

Amajambo yakurikiye yose yagaruka ku gukenguruka. Furera Sperio Nibigira, yavuze kw'izina ry'abihebeye Imana, yagarutse kw'isangiramutima ry'abakristu ba mbere. Yongera arakenguruka ubutwari bw'Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze Bujumbura, kuri ico gikorwa c'ukwama yegeranya imiryango y'abihebeye Imana kugira ngo umuryango wose uzane umuganda wawo – akarangamutima kawo- ngo hubakwe Ekleziya muryango muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura. Yarangije asubira kwemera, kw'izina ry'abihebeye Imana bose bo muri Diyoseze ko bazokwama bagamburuka ubutumwa bwose Umwungere azobatuma.

Mw'ijambo ryiwe, nawe, Umwepiskopi Mukuru, Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yarakengurukiye Imana, kuko ngo hari haheze imyaka itari mike badashobora guhura nk'umuryango umwe muri Diyoseze kubera ca kiza c'indwara iterwa n'umugera wa Corona Virus (Covid-19). Yarakengurukiye Imana kuri ako gahengwe yatanze ngo ico kiza gicurehe.



Yagize ati: «Nari nyotewe gusubira kubabona mukoraniye hamwe nk'abasaserdoti n'abihebeye Imana ku kiyaga, nka kumwe kwa Yezu Kristu ari kumwe n'abigishwa biwe. Naheruka ngaha igihe nabona ababikira bakina umupira n'abasaserdoti; nari nyotewe rero gusubira kubibona, nkabona ingene mutsindana muri ku kibuga nk'iki ku musenyi, cane cane muri ku kiyaga, nk'uko na Yezu yakunda kuja ku kiyaga ari kumwe n'abigishwa biwe.»

Yarakengurukiye kandi n'abatunganije uyo munsi, guhera ku cariho ciwe muri Diyoseze, Musenyeri Anatole Ruberimyange, n'abo bari kumwe, ati: "Muaragahora muratora n'akandi karyo ngo dusubire twiginane twese nk'abantu bari mu muryango umwe Mutima Mweranda yame abakomeza.»

Yarakengurukira abasaserdoti bose na cane cane ku ngoga zidasanzwe bagize mw'ikarema mu gufasha abakristu kwitegurira neza Pasika.

Yarakengurukiye n'abihebeye Imana ku butumwa bwo kwunganira abasaserdoti mu maparuwase no mu bisata vy'ubutumwa bitandukanye.

Yarangije akengurukira abo bose bemeye kugamburuka ubwo butumire bakaza ngo banezeranwe hamwe nk'abahujwe n'ubutumwa nyene.

Yarangije akengurukira umuryango w'umushingantahe Damasi Nyanziriye n'umutambukanyi wiwe Emilienne Havyarimana, ba nyen'ikibanza «Spot 257» wabatije ico kibanza ngo bakinezerererwemwo.

Umushingantahe Damasi Nyanziriye, kw'izina ry'umuryango wiwe, na we nyene yarashimye ko abo basaserdoti n'abihebeye Imana ba Diyoseze Nkuru ya Bujumbura bagomwe ico kibanza ciwe muri vyinshi bisanzwe biri ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika, maze abipfuriza kuroranirwa, mbere ngo n'ikindi gihe, ntibaze bitinye kuhagaruka.

Uwo munsi wasozerewe n'ugusangira n'ugusabikanya vyose nk'abakristu bambere.



*Patiri Noël Ntirandekura*